Ikinyamakuru ca Ekleziya Gatolika
Umwaka wa 70
Gisohoka kabiri mu kwezi
Ikiguzi : 500FBu

# NDONGOZI Y'UBURUNDI

Adresse : Candikirwa, kigasohorerwa muri Ndongozi y'Uburundi. Avenue de la mission n° 06

«Jewe ndi wa mwungere mwiza » Jn 10, 11a

Email:journalndongozi@gmail.com
Facebook :Journal ndongozi y'uburundi Rusiziramarembe; Twitter: Ndongozi y'Uburundi

B.P 690 Bujumbura. Tél.: 222762. Fax : (257) 228907 N°784 01 Ruhuhuma 2023

## Kahise k'ubumwe bw'abemera Yezu Kristu



Foto: Chanel HARINGANJI

Ku wa 24 nzero 2023, haratunganijwe igisabisho c'amashengero yemera Yezu Kristu. Ico gisabisho kikaba cabereye mw'ishengero ry'ababatiste bo Ngagara.

Nyenicubahiro Musenyeri Gerevazi Banshimiyubusa, niwe yatanze inyigisho ku kahise k'ubumwe bw'abemera Kristu.

Muri iyo nyigisho yavuze ko ivyabaye twoza turagerageza kubimenya mu kuri atagushikuza,

Soma ku Rup. 3

Abakozi ba Ndongozi

**Uwujejwe uruganda:**
* *A. Noël NTIRANDEKURA*

**Abamenyeshamakuru:**
* *A. Noël NTIRANDEKURA*
* *Mélance NDAYIKEZE*
* *MSV Marie Goreth NDIKUMANA*

**Uwujejwe ubuhinga:**
* *Chanel HARINGANJI*

**Umunyamabanga:**
* *MSV Marie Goreth NDIKUMANA*

**Umunyabigega:**
* *MSV Nadine HARAGIRIMANA*

**Uwujejwe imigenderanire:**
* *J. de Dieu NDIKUMANA*

## Umuryango ni ikibanza ca mbere cigishirizwamwo Inkuru Nziza



Foto: Chanel HARINGANJI

Ku magenekerezo ya 24 na 25 Nzero 2023, igisagata kijejwe ubutumwa bw'abakristu bw'abalayike, ingo n'ubuzima, caratunganije ihwaniro risanzwe ku baserukira igisata c'ubwo butumwa bw'abalayike, ingo n'ubuzima mu madiyoseze yose hamwe n'abaserukira imihari ku rwego rw'igihugu.

Iryo hwaniro rikaba ryabaye mu ntumbero yo kurimbura ingene ubutumwa mu mwaka urangiye wa 2021 ushira 2023

Soma ku Rup. 4

## Ibirimwo

o « Mwitwararike »: Impuhwe nk'umwimenyerezo nsangizangendo w'ugukira. ....6
o Kworohereza abanyamitahe mu Burundi ni ryo hangiro ry'ikigo ADB ....7
o Umwigisha ahamagarirwa kwigisha neza kugira aramurire igihugu.........8
o Umwimbu mwiza utangwa n'ifumbire nziza....9

# Idominika ya Gatanu : Umwaka A

## Igisomwa ca mbere: *Isaie* 58, 7 – 10

Ivyo dusoma mu gitabu c'Umuhanuzi Izaya:

*(Niho umuco wawe uzotamanzura nk'umutwenzi)*

Ng'iri iriyazwe n'Umukama : « Sangira ivyo kurya vyawe n'uwushonje, abagowe babuze aho baba ubinjize mu nzu yawe, niwabona uwuri gusa umwambike, ntiwirengagize umuntu nkawe. Niho umuco wawe uzotamanzura nk'umutwenzi, igikomere cawe kigakira n'ingoga, ubutungane bwawe bukakuja imbere, nabwo ubuninahazwa bw'Umukama bugushorere.
Niho uzohamagara Umukama akakwitaba, ukamuborogera, akakwitaba ati : « Ndi hano. » Niwakura iwawe umuzigo, uguturubika be n'amajambo y'amabisha, niwaha uwushonje ico nawe wipfuza, niwamara inyota ivyipfuzo vy'umurushwa, umuco wawe uzoseruka mu mwijima, umukorane wawe wakake nk'izuba ryo ku mutaga. »

## Igisomwa ca kabiri : *Abanyakorenti* 2, 1 – 5

Ivyo dusoma mw'ikete rya mbere Umutumwa Paulo yandikiye Abanyakorenti :

*(Narabamenyesheje amabanga ya Yezu Kristu yabambwe ku musaraba)*

Nanje mu kuza iwanyu, banewacu, sinaje kubamenyesha ingingo y'Imana mu mvugo zihinguye no mu bwenge buhejeje. Nta kindi nashatse kumenya muri mwebwe atari Yezu Kristu, kandi Yezu Kristu yabambwe ku musaraba. Jewe nyene nashitse iwanyu mfise intege nke, ndi n'ubwoba n'agashitsi kenshi, kandi imvugo yanje n'inyigisho yanje ntivyari bihagaze ku majambo atomoye y'ubwenge, ariko ico vyerekana ni Mutima n'ubukomezi bwiwe, kugira ngo ukwemera kwanyu ntiguhagarare ku bwenge bw'abantu, ariko gushimikire ku bukomezi bw'Imana.

## Inkuru nziza : Matayo : 5, 13– 16

**Alleluya, Alleluya.**

*Umukama yavuze ati: "Jewe ndi umuco w'isi. Uwunkurikira azoronka umuco w'ubuzima."*

**Alleluya.**

Ivyo dusoma mu Nkuru nziza ya Yezu Kristu nkuko twayishikirijwe na Matayo :

*(Nimwebwe muco w'isi)*

Muri irya minsi, Yezu yabariye abigishwa biwe ati : « Nimwebwe munyu w'isi. None umunyu utagisosa icowusubiza ako kanovera cova hehe ? Ntaco uba ukimaze, usigaye ari uwo gushiburira hanze, abantu bakikandagirira. Ni mwebwe muco w'isi. Ntawushobora guhisha igisagara cubatswe mw'itaba ry'umusozi. Kandi ntawudomeka itara ngo aryubikeko umubehe ; arishira nyabuna ahakirururtse, niho riheza rikaboneshereza abari mu nzu bose. Uko niko umuco wanyu wokwibonekeza mu maso y'abantu, maze babonye ibikorwa vyanyu vyiza, bakaninahaza so wanyu ahangamye mw'ijuru. »

---

# Bavuye hasi mu kwubaka Paruwase yacu Buziracanda

## «Ndamukiza 2021, Ndamukiza 2023»



**Muti uburyo bwavuye hehe?**

Ni inguvu z'abakristu ba Paruwase Buziracanda : ni bo bifyaturiye amatafari, baregeranya amabuye n'umusenyi, baratanga uburyo bw'amafaranga yo kugura ibisakazo

Ihangiro n'uko uyu mwaka w'2023, mu kwezi kwa Ndamukiza, iyo ngoro y'Imana izoba yuzuye, maze muri Rusama yinjirwe.

**«Nimuzane ikigira cumi kitagabanije mu nzu y'ububiko kugira ngo habe ivyokurya mu Ngoro yanje....murabe ko ntazobugururira ingomero z'ijuru, ndabashunguruzireko imihezagiro itagira uko ingana. Ni iriyazwe n' Umukama Nyeningabo.»**
***Malakiya 3,10***

# Kahise k'ubumwe bw'abemera Yezu Kristu

(Bitangurira ku rup.1)

tukamenya ko igihambaye imbere ya vyose ari uko twese twatangujwe na Yezu Kristu kandi twatanguye turi hamwe.Yagize ati : « Ivyahise canke ivyabaye mu gutandukana kwacu twese tubifisemwo uruhara tubwirijwe kuza turemera. » Aca yongera ati: «Amacakubiri naho ari ingwara ishobora gufata abakristu noneho yarabafashe ariko n'ingwara ifise umuti. »

Muri iyo nyigisho nyene, yaciye avuga muri ma-ke umuti ushoboka, inzira vyocamwo kugira habe gusubiza hamwe be n'ivyifuzo vyoba nk'ibimenyetso vyoza birerereka abandi y'uko vyukuri hari ishaka kandi n'ugufatanya urugendo abemera Kristu bari hamwe.

Yishimikije Ijambo ry'Imana nkuko turisoma mu Nkuru nziza ya Mariko 16, 9-16, Nyenicubahiro Musenyeri Gervais Banshimiyubusa, Umwepiskopi mukuru wa Diyoseze gatolika y'i Bujumbura yashimikiye ku ngingo zine, ari zo zizi :

**Ivyabaye tubimenye mu kuri ata gushikuza**

Igihambaye imbere ya vyose kandi kikaba n'ishingiro rya mbere nuko twese twatangujwe na Yezu Kristu kandi ko twatanguye turi hamwe. Intango ya vyose ni Yezu yapfuye akazuka agatuma abigishwa biwe kuja kwigisha Inkuru nziza y'urukiza zina kiremwa cose.


Foto: Chanel HARINGANJI

Niwe rero yatanguye uyu muryango wacu witwa b'akristu canke abakristo. Naho vyoramuka bigoranye ntidushobore kwumvikana kuri iki nakiriya, dutegere ko twatangujwe n'Uwapfuye akazuka, yabanje guca ku musaraba. Ishingiro rya kabiri n'uko uyu muryango wacu ari Mutima mweranda canke Mpwemu yera ariwe awuyobora.

Ariko rero, inkingi vyose bikomokako ni Data yarungitse Mwana, Mwana nawe akadusigarana wiwe Mutima Mweranda (Mpwemu Yera). Mu bituranga mu kwemera kwacu kandi biduhuza ni uko Yezu yarungitswe na Data aradukiza. Yaravyawe ariko ntiyaremwe Mu kwinjira muri uwo muryango mushasha w'ibiremwa bishasha ni ukubanza kwakira Ijambo ry'Imana n'inyigisho y'abatumwa tukabatizwa.

*Ibituranga kandi biduhuza ni vyo vyinshi :*

- Twemera ko Yezu ari Umwana w'Imana yigize umuntu, yapfuye ariko yazutse kugira ngo adukize

- Twemera ko Yezu yarungitswe na Se ari Imana nka Se yavyawe ataremwe.
- Turemera ko Ekleziya yatanguye kandi ibandanya ikura nk'umuryango ku bubasha bwa Mutima Mweranda. Nico gituma nubu bumwe turiko turarondera tutagiye turasaba ngo uwo Mutima mweranda abe ariwe atumurikira …zobushikira twemeye jkwambaza.

- Mu kwinjira muri uyo muryango mushasha tubwirizwa kubanza kwakira ijambo ry'Imana ari yo nyigisho y'abatumwa, tukongera tukabatizwa : Gende mwigishe…abazokwemera iryo jambo bakabatizwa bazokira.

**2. Ivyabaye, mu gutandukana kwacu twese turabisemwo uruhara**

Ivyadutandukanije si ivy'ukwemera ni ivyerekeye uruntu runtu.

- Ugutandukana kwa mbere guhambaye kwabaye mu kinjana ca 11 : Aba orthodoxes n'abakatolika.

-Ugutandukana kwa kabiri kwabaye mu gihe abakristu bamwe bita abaprotestanti abandi bakitwa abakatolika (Ikinjana ca 16). Abaporoti batangujwe na Luther, Zwingli, Calvin.

- Ugutandukana kwa gatatu : Ekleziya yo mu Bwongereza (Aba anglikani) na Ekleziya y'i Roma. Hari mu kinjana ca 17.

- Haciye hakurikira abandi benshi : aba anabaptistes, aba baptistes, aba méthodistes, aba presbytériens, abapentekoti, abo mu mashengero yitwa Église du réveil, aba Évangéliques, ….

- Hari n'ayandi mashengero ya vuba yabandanije avuka gushika n'uyu munsi.

Mu gusozeraza iki gice c'ivyabaye, Yabandanije agira ati : « Hari ukuri tubwirijwe kumenya kandi kukaduhimbara :

abagiye baratanguza amashengero nta n'umwe yabigira agomba kwonona. Bitandukanya bagomba kuvura, gukora iciza gisumbirije. Naho nyene na bonyene hatabuze ibisubira kubagora.»

Ibikur. urup. 5

# Umuryango ni ikibanza ca mbere cigishirizwamwo Inkuru Nziza

Foto: Chanel HARINGANJI



no kurabira hamwe ingene ubutumwa bw'uyu mwaka wa 2022 ushira 2023 bwogenda.

Ivyo bikorwa bikaba vyabaye ku civugo ngo : *« Ni twijukire ubutumwa bw'ingo : Urugo rukristu rube Ekleziya yo haziko imenyesha hose inkuru nziza ».*

*Muri iyo misi ibiri :*

- Haratanzwe inyigisho zibiri zatanzwe na patiri FUPI Felix na Theon TUYISABE.

- Harabaye n'ibikorwa vyo mu mirwi ku vyari vyizwe.

**Icirwa ca mbere :** «Umuryongo ni ikibanza cambere cigishirizwamwo Inkuru Nziza»

Ico cirwa catanzwe na FUPI Felixis. Avuga ko umuryango ufise uruhara rudasazwe mu buzima bw'abantu no muri Ekleziya.

Umuryango utangurana n'isakramentu ryo kwabirana kandi ufise ubutumwa. Ku bw'ibatisimu baronse, abubatse bahamagariwe gukwiza hose Inkuru Nziza. Umugabo n'umugore n'agashusho k'urukundo rwa kristu afitaniye n'Ekleziya.

Urugo ni ikibanza gitangirwamwo ubuzima *(Gutanga ubuzima, kububungabunga).*

N'agashusho kerekana urukundo rw'Imana hamwe n'urukundo ruri mu butatu bweranda ruheza rugaserukira mu muryango.

Umuryango rukristu, userura ikinyegezwa c'urukundo rw'Imana. Umuryango ni Elkeziya y'Imana, abubatse babana n'Imana. Mu muryango niho Yezu yibera.

Ni Ekleziya y'Imana. Barahasengera, bakahayagira. Niho ubuzima bushingiye

***Ubutumwa bw'umuryango rukristu.***

Hari ubutumwa bw'imbere mu rugo, hari n'ubutumwa bwo hanze.

**Ubumwa mu rugo :** *(Ubutumwa bw'umugore n'umugabo hagati yabo).*

Iyo babaye ico babwirizwa kuba, bakwega-kwegera abandi kumenya Yezu, kumenya Imana no kumenya Ekleziya nk'umubiri wa kristu.

**Guhana urukundo rwuzuye:** Kuyaga, gusenga, guhana ibikorwa. vyo bikunganirwa n'igisabisho co mu cumba.

**Kurondoka no kurera abana n'ubutumwa.**

Abana ubutumwa bwabo, n'ukuba Ekleziya yo haziko. Aho haziko niho bigira gusenga. Umugabo n'umugore nibo ba menyeshamana ba mbere mu kwigisha ivyo bibondo.

Mu muryango, abavyeyi baratagatifuzanya, barasabiranira, niryo shure rya mbere rirerera mu kwemera.

**Ukurera n'igikorwa c'urukundo:** Imana iradutegeka kurera. Ugushira amashusho mu nzu, iya Yezu, iya Bikira Mariya, ivyo vyonyene n'inyigisho. Gukunda Ekleziya n'igihugu bihera mu muryango. Kurera ni ingabire idasanzwe dukwiye gusaba Imana.

**Urugo**

Abubakanye mu gihe bahimbaza isakramentu ryo kwabirana, abasaserdoti berekeza ibiganza ku bubatse. Ivyo biganza babubikako, n'ikimenyetso co kubatira ngo baje mu butumwa.

**Ibishigikira ubwo ubutumwa**

1. Kwitwararika ingo ziri mu ngorane, gukundisha abana bato ibanga ryo kwihebera Imana. Umuryango niyo seminali ya mbere kandi niyo noviciat yambere y'urugo itegura neza abavyeyi n'abihebey'Imana b'ibanga.

2. Kuba akarorero keza kuko rusambutse, Ekleziya iba isambutse.

3. Kuja mu nzego ngo bahagararire umuryango *(kubera ubu umuryango ugeramiwe n'amategeko amwe amwe ashobora kuwusambura. Akarorero : Abubakana basangiye ibitsina).* Urugo nirwo shimikiro ry'Ekleziya.

Yasozereye avuga ko Ekleziya ari iciza gikomeye ku muryango, kandi n'umuryango ari iciza gikomeye kuri Ekleziya, n'iciza gikomeye no ku buzima bw'umntu.

Umuryago rero ni itunga ry'intabonwa. N'ugukora ibishoboka ngo ingo zije mu butumwa bwo kumenyesha Inkuru nziza kuko ari wo mushinge w'ubuzima ntasubirizwa, ntagerereranwa.

**Umuryango n'iciza gikomeye.**

*Biracaza*

***Chanel HARINGANJI***

# Kahise k'ubumwe bw'abemera Yezu Kristu

(Bitangurira ku rup.3

Ivyo biradufasha kubona ko twese tugumana umutima umwe wokurondera kwubaka Ekleziya imwe ya Yezu Kristu yapfuye hanyuma akazuka.

Amacakubiri naho ari indwara, arafise umuti.

Ikintu kibi kandi giteye ubwoba ni igihe indwara itagira umuti. Amacakubiri ni indwara ishobora gufata abakirisu ariko ifise umuti. Twobisoma mw'ikete rya mbere Paulo yandikiye Abanyakorenti (1,10-13 : amacakubiri muri Ekleziya y'i Korenti). Tumenye rero ko amacakubiri ashobora kubaho, hagati yabagize ishengero, akaba hagati y'abakristu kandi bose barabatijwe. Mugabo rero ayo macakubiri si indwara njanyi, arafise umuti nk'uko tuvyumvise Paulo abivuga.

Paulo mweranda tiyarinze kurindira, nyabuna yaciye abahanura aberekeje ku kuri, n'ukuvuga aberekeje ku Mana. Ati: « Mbega aho munyiyitirira, nije nabambwe ku musaraba ? »

***Inzira y'ugusubiza hamwe idusaba twese guhinduka.***

- Guhinduka tugaca bugufi tukemera uruhara dushobora kuba twaragize mu vyabaye canke ibibandanya biba, hanyuma tugasabana imbabazi.

- Guhinduka tukemera ko tudafise ukuri kwose, tukamenya kwakira ukuri kw'abandi. Kuko nta numwe aronka ukuri kwose (Aho nzobarungikira Mutima mweranda niwe azobamenyesha ukuri kwose, kwuzuye).

- Guhinduka kugira ngo twese dushobore kugenda tugana ukuri, twongere tugume mu kuri, dutumereye ukuri. Kuko hari abantu bagomba bagwanira kuguma mu kahise kabo naho koba ari akahise katari mu kuri.

- Ubwa nyuma ni uguhinduka kugira ngo tugume twumvira Mutima w'Imana/ Mpwemu Yera/ muri vyose, kuko niwe yama adutangaza igihe cose.

Mu gihe Paulo mweranda yategekanya kugira ingendo z'ubutumwa, yarategekanya yuko agomba kugenda mu ntara, agira ati :"Ubwo hariya niho hakenewe ko nogenda nkabigisha, ariko bukeye mw'ijoro Imana ikamurungikira ijwi rigira riti: hariya ntujeyo, genda nyabuna ahandi. Kandi kubera ko yakorera Imana, yaca yumvira Mutima w'Imana."

Ntitwame rero turiko turiyumvira ngo none iki nagomba gukora hari ikibi kirimwo?

*Kumenya guhitamwo ikiri ukuri bisaba iki ?*

Kumenya guhitamwo bisaba intambuko zitatu: ko ubona ahari iciza ugafata iciza. Intambuko ya kabiri nuko ubona ko co ciza ari co gikwiye gukorwa muri ico kiringo. Intambuko ya gatatu kandi ariyo ihambaye ni ukuraba yuko ico ciza ugira ukore kijanye n'ishaka ry'Imana muri ico kiringo (nico bita discernement).

Twese rero, twame twibaza ko ico turiko turakora ari co Imana ishaka.

Hari ibintu bibiri nkenerwa kugira ngo iyi nzira yo gusubiza hamwe ishoboke. Ica mbere ni :

a. Ukomeza gusengera mu kuri. Dusengere mu mashengero yacu dusabira ngo dusubize hamwe, ngo duhinduke;

b. Kugira inyifato y'ugukorera hamwe ibishobora kuduhuza vyose ataco vyishe. Akarorero, amashengero menshi arafise amashure ajejwe, umu anglikani arashobora kugenda mw'ishure ry'abakatolika bakigisha ijambo ry'Imana

**Ivyipfuzo vy'ibikorwa bine vyoba nk'ibimenyetso bigaragaza ishaka ryacu ryo gusubiza hamwe**:

- Kurondera uburyo bw'ingene twoshira mu kirundi kiduhuza twese amajambo ya Bibiliya aduhuza twese twokoresha nk'uyu munsi

- Twuguriranire amarembo kugira abigisha b'ijambo ry'Imana mu mashure tujejwe baze bararonka uburenganzira bwo kwigisha abana b'ishengero rinaka mu gihe tutararonka ivyigwa vy'ijambo ry'Imana duhurizako.

- Hageze nko mu gihe co guhanura igihugu, tuze turaja hamwe nk'abayobozi b'amashengero kugira ngo dushikirize ijambo rimwe rishimikiye ku kwemera kwacu rihanura abantu kuguma mu kuri batumbere ubutungane baje mu rukundo, babane mu mahoro.

- Kurondera akanya k'uko ishengero rimwe ryose ryivuga, rikamenyesha ayandi mashengero ivyo rishingiyeko mu kwemera kwabo kuko abantu iyo bamenyanye niho bubahana kandi bagakundana neza.

Nyen'icubairo Musenyeri Yarasavye ashimitse agira ati mu gihe boshika kuri iyo ntambwe vyobafasha. Ati kugira ngo bishoboke ni uko amashengero aza arahura yogira aga komite kiga ingene vyogenda.

Yarangije yipfuza ko hoba nk'umugwi wamaho ukaza urategura ingene ibikorwa vyoza biratunganywa ugahanahana n'ivyiyumviro ruraba n'ivyoshoboka.

Twobamenyesha ko gisabisho nk'ico, mu mwaka uheze cabereye kuri mw'Ishengero «Methodiste Uni» yo mw'irohero.

***Patiri Noël Ntirandekura***

# « Mwitwararike »: Impuhwe nk'umwimenyerezo nsangizangendo w'ugukira



Nta mugwi n'umwe w'abantu Ekleziya yigera yibagira kuko twese tugize umuryango umwe w'abana b'Imana. Ni muri iyo ntumbero Ekleziya yashinze kandi ikama itunganya ku wa 11 Ruhuhuma uko umwaka utashe, umunsi mpuzamakungu wahariwe abagwaye kuko na bo nyene bafise agaciro mu nyonga z'Umukama.

Uyu mwaka, Nyenubweranda Papa Fransisko yarashikirije abakristu bose ijambo ku munsi umunsi mpuzamakungu ugira 31 wahariwe abagwaye, rishimikiye ku civugo « Mwitwararike » (Luka 10,35). Akongera akamenyesha ko kugira « Impuhwe ari nk'umwimenyerezo nsangizangendo w'ugukira

Nyenubweranda ati : Bavukanyi nkunda !

Ingwara iri mu bigize ubuzima tubayemwo. Mugabo irashobora gutuma umuntu atakaza ubuntu, iyo agwaye akikumira, akabona ko yahebwe, iyo atavuwe canke ngo agirirwe ubuntu. Mu gihe dutambukira hamwe, birashika ko umuntu yiyumvira ko amerewe nabi, ko ategerezwa guhagarara kubera uburuhe canke impanuka y'urugendo.

Ni muri ivyo bihe nyene umuntu azirikana uko twofata urugendo : nimba vy'ukuri dutambukira hamwe canke turi mu nzira imwe, ariko umwe wese akaguma mu vyiwe gusa, akareka abandi bakitunganya nkuko bashoboye. Kubera ivyo, kuri uyu munsi mpuzamakungu ugira 31 wahariwe abagwaye, mu gihe turi mu nama nsangizangendo, ndabatumiye kwibaza vy'ukuri ko ivyo ducamwo ari ibduca intege n'ibidutera indwara dushobora kuvyigiramwo gutambukira hamwe twisunze ishaka ry'Imana yama hafi, ifise impuhwe n'igishika.

Mu gitabu c'Umuhanuzi Ezekieli, mw'ijambo rimwe rikomeye ryiganjemwo ibijanye n'ihishurwa, Umukama avuga ati : «Ni jewe nzokwiragirira ibitungwa vyanje, kandi ni jewe nzovyinjiza aho biryama.

Ni iriyazwe n'Umukama Imana. Nzorondera intungwa yatakaye, iyazimiye nayo ndayigarure. Nzotenga iyavunitse, nkomeze iyigoyagoya. Nzokwitwararika iyivyibushe n'iyikomeye. Nzoziragira atayo ndenganije». (Ezekiyeli 34,15-16).

Ukubaho nk'uwatakaye, mu ndwara no mu ntege nke bigize kamere y'urugendo rwacu : ntibidukumira kuba mu gihugu c'abana b'Imana, ahubwo bidushira aho Imana itwitaho, yo Data idashaka guta mu nzira n'umwe mu bana bayo. Ni ukwigishwa na yo rero kugira ngo tube vy'ukuri umubano usangiye urugendo, udashobora kureka ngo wandukirwe n'umuco wo gutabwa.

Inyigisho ya Papa « Twese turavukana » nkuko mubizi, isaba gusoma twiroreshako umugani w'umunyasamariya w'u-buntu.

Nawushizemwo nk'akarorero, nk'umushinge kugira ngo dushobore gusohoka, « Tuve mu bitutu vy'isi yugaye, twijukire kurema isi yuguruye». Nkako, hariho isano rigera kure hagati y'uwo mugani wa Yezu n'ingene muri kino gihe umuvukano wihakanwa.

Mu vy'umwihariko, kuba uwo muntu yarasinzikajwe akongera akibwa, yarahebewe ku nzira, vyerekana uburyo abavukanyi benshi bahebwa mu gihe bari bakenye uwubafasha. Ntivyoroshe gutandukanya ibitero bitosekaza ubuzima n'iteka ryabwo, bituruka ku vyaduka hamwe n'ibiterwa n'akarenganyo n'ihohoterwa.

Mu vy'ukuri, urugendo rw'ubusumbane n'ugushira imbere inyungu za bamwe bamwe, biramaze gutandukira uduce twose tubamwo abantu, ku buryo bisigaye bigoye gufata bimwe mu vyo tubayemwo nkuko vyoba ari ibisanzwe. Ububabare bwose bufata ikibanza mu mico ya muntu no mu kwivuguruza kwayo.

Naho biri uko, igihambaye ni ukumenya ibigize ukwigunga no guhebwa. Ni ubunyamaswa bushobora gutsindwa imbere y'akandi karenganyo kose. Kuko, nk'uko wa mugani uvyigana, hakwiye akanya ko kwitwararika, ko kugira umutima w'impuhwe kugira umuntu ave muri ubwo bunyamaswa.

Abantu babiri bari ku rugendo, basa n'abihebeye Imana, babona umuntu yakomeretse ariko ntibahagaze. Ariko uwa gatatu, umunyasamariya, umwe akengeretse, yaratewe n'impuhwe yongera aritwararika uwo munyamahanga arambaraye ku nzira, amufata nk'umuvukanyi. Mu gukora ivyo, atanavyiyumviriye, yabaye intangarugero mu kwubaka isi y'umuvukano.

***Biracaza***

***Vyahinduwe mu kirundi n'ibiro nshingwabutumwa vya Papa vyo kumenyesha Inkuru Nziza ya Yezu Kristu mu Burundi***

# Kworohereza abanyamitahe mu Burundi ni ryo hangiro ry'ikigo ADB

Ku wa 17 Nzero 2023, ikigo kijejwe iterambere no guteza imbere igisata c'abanyamitahe, ADB, caratunganije ikiganiro ku bamenyeshamakuru ngo cerekane aho ibikorwa vyaco bigeze n'ivyo kimaze kurangura. Ico kiganiro cabereye mu gisagara ca Bujumbura gihagarariwe na Didace NGENDAKUMANA, umuyobozi mukuru w'ico kigo.

Mw'ijambo ryiwe, umuyobozi w'ikigo ADB yamenyesheje ko igice ca kabiri c'umwaka wa 2022 caranzwe n'ibikorwa bidasanzwe, nk'ishirwaho ry'intumbero n'indinganizo z'ikigo ADB kizisunga muri iyi myaka iri imbere, inzira canke ibikoresho ikigo ADB kizisunga mu bikorwa bijanye n'ishingwa ry'imitahe mu Burundi hamwe no kworohereza abashinga imitahe.

Ibindi vyarangutse kandi vyishimirwa n'abarongoye ikigo ADB ngo ni ishirwaho ry'igitabu cerekana intumbero n'indinganizo ikigo ADB kizisunga kuva uyu mwaka wa 2023 gushika mu 2027. Ico gitabu ngo caramaze gutegurwa kandi ubu kirisungwa. Ku bijanye n'inshingwa ry'amashirahamwe ubu ngo bikorwa hakoreshejwe ubuhinga ngurukanabumenyi, umuntu akabikora atarinzi gutonda ku kigo ADB. N'abasaba uburusho butangwa n'itegeko rigenga imitaba ni nkuko nyene naho ngo hoho hakiriho udutosorwa dukeyi.

### Ibikorwa biboneka vyaranguwe ni ibihe?

Didace NGENDAKUMANA umuyobozi mukuru avuga ko kuva mu kwezi kwa Mukakaro 2022 gushika Kigarama 2022 amashirahamwe arenga 2 511 yarashinzwe. Ayo mashirahamwe ategekanya gutanga ubuzi ku bantu bashika 15 680.

Ku bijanye n'uburusho butangwa n'itegeko rigenga imitahe, hatanzwe impapuro 45 zitanga ubu-



renganzira bwo guhabwa uburusho, amashirahamwe yose yaburonkejwe agategekanya kuzokoresha umutahe ungana 411 523 359 217 mu mafaranga y'amarundi hamwe n'ubuzi butegekanijwe bungana 3902.

Ivyo biharuro tubigereranije no mu kiringo c'imbere yaho, n'ukuvuga mu 2021, hari hatanzwe impusha 21, ayo mashirahamwe yaronse izo mpusha z'uburusho akaba yari yategekanije umutahe ungana 354 865 847 713 mu mafaranga y'amarundi hamwe n'ubuzi 916.

Izindi mpapuro zatanzwe ngo ni impapuro mfatakibanza zitanga uburenganzira bwo kuronka uburusho. Amashirahamwe 80 yazihawe amaze gukoresha umutahe ungana n'274 691 132 975 fbu. Umutahe wari utegekanijwe ngo warashika 869 375 326 267.

Ni ukuvuga ko umutahe wabonetse wabaye wanganye ibice 31,6%. Ubuzi nabwo bwatanzwe ngo ni 1284 ku buzi 5883 bwari butgekanijwe, ni ukuvuga ibice 21,2%

Ku bijanye no guteza imbere abanyamitahe no gushiraho ivyotuma haba icuka ciza mw'ishingwa ry'imitahe mu Burundi, ikigo ADB carasahirije cane mu gutunganya ibikorwa. Muri iyo ntumbero, ngo harakozwe ibikorwa bitari bike biboneka.

*Umuyobozi mukuru wa ADB avuga :*

- Nk'ihayanishagurishwa ryiswe East African Regional Tourist Expo (EARTE2022) mu ntumbero yo guteza imbere igisata c'ingenzi; indwi yahariwe umurundi aba hanze y'igihugu mu ntubero yo kubahimiriza ngo baze guteza imbere igihugu cabo, babe n'abaserukizi baco mu guhimiriza abagwizatunga bo mu mahanga ngo bazane imitahe yabo mu Burundi;

- Uruganda rwo kuraba amabwirizwa agenga uburimyi bw'imboga, amashurwe n'ivyamwa ngo baheze baronke amasoko boshoreramwo umwimbu wavyo. .



Umuyobozi mukuru w'ikigo ADB, Didace NGENDAKUMANA

**Mélance Ndayikeze**

# Umwigisha ahamagarirwa kwigisha neza kugira aramurire igihugu


Foto yo mu bubiko

Ku musi wa kabiri igenekerezo rya 31 Nzero 2023, mu nyubakwa z'ikigo ndangamico y'aba Islam (MARKAZ) muri Komine ya Mukaza mu Gisagara ca Bujumbura, Nyakubahwa Umushikiranganji w'indero n'ubushakashatsi Dr François HAVYARIMANA yaragendeye abenegihugu bo muri ico gisagara kugira baganire yongere yumvirize ibibazo bihanze indero.

Muri ico kiganiro, uyo Mushikiranganji w'indero n'ubushakashatsi Dr François HAVYARIMANA yabanje kwibutsa ko Reta y'Uburundi atako idakora kugira umwana wese yige yorohewe. Yatanze akarorero ko aha mu gisagara ca Bujumbura hari ibirasi igisagara giherutse gukomorerwa na CNTB, eka hakaba nk'amashure aza arasanurwa nk'ishure rya ECOFO Kabondo.

Mu ntumbero yo kugabanya ibitigiri mu mashure, Umushikiranganji ahamagarira abanyagisagara kwijukira wa mugambi w'ukuvyara ku rugero.

Aramenyesha kandi ko Reta imaze kubona ko hari ikibazo c'ibikoresho mfashanyigisho, yaciye ishiraho umugambi ugiye gufasha amashure y'imyuga arenga 100 mu kuyaronsa ivyo bikoresho.

Ku cerekeye abakozi bo ku mashure asahiriza Reta bakoresha abigisha ata masezerano y'akazi bafise batanarihirwa n'integabizoza, Umushikiranganji w'indero n'ubushakashatsi Dr François HAVYARIMANA yabibukije ko abayobozi b'ayo mashure n'abo bigisha bohana amasezerano y'akazi ubu bwa vuba ngo bitagenze uko bazokwakwa uburenganzira bwo gukora.

**Hari ibibazo vyagiye birabazwa mu ntara zitandukanye :**

* Ikibazo kijanye no guhindurirwa aho umwigisha akorera, Umushikiranganji w'indero n'ubushakashatsi Dr François HAVYARIMANA avuga ati: « Mu bushikiranganji turazi ko ico kibazo kihari kandi turafise n'ugushaka ko ico kibazo tugitorere umuti.

Ubu mu gutanga akazi turaba ko uwo duhaye akazi ari hafi yo muhira. Harya babarungitse bumveko harimwo n'umwitwarariko tubafitiye. Ariko guhindurirwa ikibanza biremewe mu gihe umwigisha aronse uwumusubirira.»

* Ikibazo kijanye n'amashure y'uburaro asaba ko bokongererezwa amafaranga yo gufungurira abana na cane cane muri iki gihe ibiciro vyaduze kw'isoko, Umushikiranganji amenyesha ko ico kibazo Reta Mvyeyi ikizi, kandi ko yabongerereje uburyo naho budashemeye. Ngo niyabona mu kigega bigenda neza izosubira yongerereze. Ariko Reta irahimiriza abarongoye ayo mashure kurima imirima ikikuje ayo mashure kugira ibasahirize.

* Ikibazo c'abasahiriza Reta bakagira amashure yigenga mugabo yegamiye amashengero, Umushikiranganji w'indero n'ubushakashatsi Dr François HAVYARIMANAAvuga ati : « Vyaragaragaye ko ayo mashure yigenza nk'ayigenga mu gushiraho abayobozi ata n'umwe abizi mu bugenduzi bw'indero. Twashaka rero kwibutsa ko umuyobozi w'ishure ashirwaho n'umushikiranganji. Kandi ico cipfuzo co gushiraho umuyobozi w'ishure kija kwa DPE bakabivugana na Buramatari akaba ari bo babiturungikira. Ntidushobora no gushiraho indongozi itagira inomero ndangamukozi.

* Ikibazo kijanye n'impapuro z'umutsindo ku banyeshure baheza amashure yisupmbuye :

Umushikiranganji w'indero n'ubushakashatsi Dr François HAVYARIMANA yasubiye kwibutsa ko Umuyobozi ataratanga diplôme uyo aca ahindurirwa amabanga. Iyo ngingo iraba impapuro z'umutsindo zo mu mwaka wa 2022 n'inyuma yaho. Abatarazitanga yabongenye iminsi 15 gusa.

* Mu vyigwa vy'inyuma y'ishure shingiro, Umushikiranganji yamenyesheje ko hagiye kuza ubuhinga bushasha umwigisha azokwisunga. Muri iyo ngendo nshasha, abayobozi bategerezwa kuba barize Kaminuza, ivyo vyose bigakorwa kugira ngo hagarukanwe akanovera mu gisata c'indero.

Tubamenyeshe ko igisagara ca Bujumbura kigize intara ya 17 amaze kugendera muri ya ntumbero ya Nyenicubahiro Umukuru w'igihugu c'Uburundi Evariste NDAYISHIMIYE y'uko abagize Reta Mvyeyi bosanga abenegihugu ku kivi.

***Ndongozi y'Uburundi***

# Umwimbu mwiza utangwa n'ifumbire nziza

***Ku wa 11 nzero 2023, ishirahamwe FOMI rihingura umwavu w'ikirundi ucanze n'ikizungu ryaratunganije uruganda rw'abamenyeshamakuru kugira ngo berekane aho bagejeje ubushakashatsi mw'ihingurwa ry'umwavu usubiza isi akanovera.***

Nk'uko vyashikirijwe n'abahinga bariko baremesha ibiganiro muri urwo ruganda, ishirahamwe rihingura ifumbire FOMI ngo rifise umwitwarariko wo gusubiza isi uburyohe. Kuva mu 2019, Fomi ngo yihutiye gukora ifumbire ifatiye ku bivuye mu bushakashatsi yonyene iba yakoze kugira ngo igiterwa cose gihabwe ifumbire gikeneye ngo gitange umwimbu mwiza.

Nk'uko vyashikirijwe n'abahinga b'ikigo ISABU bikongera bikemezwa na Herménégilde Manyange, icegera c'umuyobozi mukuru w'ihinguriro FOMI, ngo ubushakashatsi bwimbitse buramaze gukorwa ku biterwa mbumbarugo birimwa kandi bifungurwa mu Burundi gusumba ibindi. Ivyo biterwa ni ibiharage (bigufi bigufi n'ibiremberwa), ibiraya, ibigori n'umuceri.



Abo ni bamwe mubari bitavye iyo nama

Inyuma y'ubushakashatsi bwakozwe kuri ivyo biterwa, ngo haciye hakorwa udutabu twerekana ingene igiterwa kimwe kimwe cose cofumbirwa.



Foto: Mélance Ndayikeze

Herménégilde Manyange icegera c'umuyobozi mukuru wa FOMI

**Ubuhinga bukoreshwa mu gufumbira buratahurwa na bose?**

Mu gihe igice kitari gito c'abarimyi ari abantu batanonosoye ivyigwa bihanitse mu burimyi, hari n'ikindi gice kitari gito kitazi gusoma canke bitokorohera gusoma ibijanye n'ingero zikoreshwa mu gisata c'uburimyi.

Kubera iyo mvo, igisata kijejwe ubushakashatsi muri FOMI bakoranye n'abashakashatsi mu kigo ISABU baratoyi ubuhinga bworoshe bwo gupima ifumbire ikoreshwa mw'i bango bivanye n'igiterwa ic'ari co.

Izo ngero zikoreshwa ni igikombe ca mirongo, agakopo ka sosi tomati n'agafuniko k'i fanta canke k'ikiyeri. Igiterwa c'ibiharage, gikenera ifumbire yo guterana gusa, ariyo yitwa FOMI Imbura. Mu gihe co gutera ibiharage bigufi, hakora igikombe n'inusu ca Mironko ku hantu hangana are imwe (imetero 10 kuri 10), canke agafuniko kamwe k'ifanta ku mabango indwi. Ifumbire ishirwa hejuru y'amase y'ikirundi ari mw'ibango.

Ku biharage biremberwa, mu gihe co gutera hakora ibikombe bibiri vya Moronko n'udukopo dutatu twa sosi tomati kuri are imwe, canke agafuniko kamwe k'ifanta mu mabango ane. No muri ico



gihe nyene, ifumbire ishirwa hejuru y'amase y'ikirundi.

Ku giterwa c'ibiraya, hakenewe ifumbire yo kubagaza. Bayita FOMI Totahaza. Bayikoresha mu kiringo igiterwa kiriko kirakura.

Mu gukoresha ifumbire FOMI Totahaza ku giterwa c'ibiraya, bakoresha ibikombe bibiri vya Mironko kuri are imwecanke agakopo kamwe ka sosi tomati ku mabango 14. Iyo fumbire ishirwa irya n'ino y'igiterwa mu gihe c'ibagara, inyuma y'indwi zitatu igiterwa cameze.

Ku giterwa c'ibigori, ifumbire ishirwa hejuru




y'amase ari mw'ibango mu gihe co gutera ni FOMI Imbura. Hakora ibikombe 4 vya Mironko kuri are imwe canke udufuniko tubiri tw'ifanta mw'ibango rimwe.

Ico giterwa gikenera FOMI Totahaza incuro zibiri. Ubwa mbere mu gihe co kubagara, hanyuma igihe co gufurira imbere yuko kiyangika. Aho hose, hakoreshwa ibikombe bibiri vya Mironko kuri are imwe canke agafuniko kamwe k'ifanta mu mabango abiri. Ifumbire ishirwa irya n'ino y'igiterwa.

Nk'uko abajejwe ubuhinga ngo babigenduje, ngo hari ibintu bine vyunganira bituma umpwimbu wiyongera: ikoreshwa neza ry'amazi, ikoreshwa neza ry'ifumbire, ugutegura neza indimo no gukoresha imbuto zisobanuye mu gihe co gutera.

***Mélance Ndayikeze***

# Itegeko ryo guharanira na ntaryo Ubumwe bw'Abarundi

Ubumwe bw'abarundi bwerekanwa n'ugushira hamwe mu mibano no mu bikorwa vy'iterambere. Bugaragarira mu gufashanya kandi uwo mugenzo mwiza ushobora kuba hagati y'abantu canke hagati y'ibihugu. Ubumwe tuja kurabira hamwe ni ubumwe bw'abarundi.

Amacakubiri ni igihushane c'ubumwe. Ayo na yo agaragarira mu kwinubana no kudakorera hamwe n'abandi. Inyungu rusangi ntisubira gushirwa imbera ariko umuntu asigara yiraba ku gatwe kiwe canke k'abo basangiye umugwi. Abantu basigara babana bicurana kandi bimeze uko nta terambere rishoboka kuko inguvu ziba ziriko zishirwa mu bitagira ikimazi.

Ugutsimbataza ubumwe ni uruhara rw'umurundi wese. Ni yo mpamvu umuntu wese afise ivyo arekuriwe n'amategeko mpuzamakungu canke ay'igihugu ariko kandi arafise n'ivyo asabwa nk'uko ingingo ya 20 y'Ibwirizwa Shingiro ibitegekanya.

Muri ivyo umurundi wese asabwa, tuja gushimikira ku co umuntu wese asabwa gukora mu bijanye n'ukubungabunga n'ugukomeza ubumwe bw'abarundi.

Umuntu yoshobora kwibaza ati « imbere y'uko amasezerano y'ubumwe bw'abarundi atorwa nta bumwe bwariho mu Burundi?»

Kuva kera na rindi ubumwe bwamyeho mu gihugu c'Uburundi. Ivyo na vyo vyagaragarira mu gufashanya n'ugushirahamwe vyamye biranga abarundi.

Ubumwe ni rimwe mu majambo atatu agize icivugo c'igihugu c'Uburundi. Ibi birerekana ko ubumwe bwamye ho kuva kera kandi ko buhabwa ikibanza kidasanzwe mu gihugu c'Uburundi. Ubumwe bu-fatwa nk'ishiga rimwe ribura ntibarike kuko ata bumwe nta bikorwa kandi nta terambere rishoboka mu gihugu.

Abenegihugu bamye babana mu bumwe ivyo bikaba vyaserukira mu gushigikirana ku muntu yagize urubanza rw'umunezero canke rw'umubabaro kuko bararumufasha ivyo bashoboye vyose.

Ariko rero, harageze igihe ubumwe butosekara ni yo mpamvu aya masezerano yashitswe ko !

Mu gushimangira ikomezwa ry'ubumwe mu Burundi, abarundi baremeje amasezerano y'ubumwe bwabo kw'igenekerezo rya 5 ruhuhuma 1991.

Ayo masezerano y'ubumwe bw'abarundi ategekanijwe n'itegeko-bwirizwa n°1/002 ryo kuwa 9 ruhuhuma 1991.

Kuva mu mwaka w'1992, abarundi barahimbaza kw'igenekerezo rya 5 ruhuhuma umunsi batoreye ko amasezerano y'ubumwe bwabo.

Amasezerano y'ubumwe bw'abarundi arerekana mu kigabane ca 3 n'ica 4 ibikwiye gukorwa kugira ubumwe busasagare mu gihugu. Na vyo ni ibi : gusonera ubuzima bwa kiremwa muntu, gutez'imbere ubutungane n'ukugwanya akarenganyo, gukomeza amahoro n'umutekano hamwe n'ukubahiriza agateka ka zina muntu.

Twomenyesha ko ivyo bikwiye gukorwa bitegekanijwe n'amategeko mpuzamakungu n'amategeko y'igihugu c'Uburundi cane cane Ibwirizwa Shingiro.

1. Gusonera ubuzima bwa kiremwa muntu.

Amasezerano y'ubumwe bw'abarundi arerekana mu kigabane cayo ca 3 ko uburenganzira bwo kubaho ari ryo shimikiro ry'ubundi burenganzira. Nta muntu n'umwe arekuriwe kwaka ubuzima uwundi kubw'impamvu iyo ariyo yose.

a) Mu mategeko mpuzamakungu

Ivyo tubisanga mu ngingo ya 3 y'itangazo mpuzamakungu ry'agateka ka zina muntu ivuga ko umuntu wese afise uburenganzira bwo kubaho, bwo kwishira akizana no gukingirwa mu buzima bwiwe.

Tubisanga kandi mu ngingo ya 6 y'amasezerano yerekeye uburenganzira bw'abantu mu vyabo no mu vyerekeye politike mu gace kayo ka mbere ivuga ko kubaho ari uburenganzira buranga zina kiremwa muntu wese



kandi ko butegerezwa gukingirwa n'amategeko. Nta kintu na kimwe gishobora gutuma ubuzima bw'umuntu buzimanganywa.

N'amasezerano ya Afrika yerekeye agateka ka zina muntu n'akabenegihugu, mu ngingo yayo ya 4, avuga ko ikiremwa zina muntu ari ntagerwako. Ubuzima bwa muntu butegerezwa kubahirizwa mu bice vy'umubiri wiwe vyose no mu buntu bwiwe. Nta muntu n'umwe ashobora kwakwa ako gateka.

b) Mu mategeko y'igihugu

Ingingo ya 24 y'Ibwirizwa Shingiro ni yo itegekanya ko umuntu wese afise uburenganzira bwo kubaho.

2. Gutez'imbere ubutungane n'ukugwanya akarenganyo.

Abantu bose barangana imbere y'amategeko. Amasezerano y'ubumwe bw'abarundi arerekana ko ata mahoro arama ashoboka mu gihe ata butungane bubereye buri mu gihugu.

Ibikur. urup. 11

# Itegeko ryo guharanira na ntaryo Ubumwe bw'Abarundi

(Bitangurira ku rup.10)

Aya masezerano ahamagarira abakozi bo mu gisata c'ubutungane gukora imirimo bajejwe neza kandi bagatunganiriza bose ata nkunzi.

a) Mu mategeko mpuzamakungu

Nk'uko twavuze ko amasezerano y'ubumwe bw'abarundi yisunga amategeko mpuzamakungu, ingingo y'7 y'itangazo mpuzamakungu ry'agateka ka zina muntu ivuga ko abantu bose bangana imbere y'amategeko kandi akabakingira kumwe. Abantu bose bafise uburenganzira bwo gukingirwa ivyo vyose biteye kubiri n'ingingo ziri muri iri tangazo ry'agateka ka zina muntu.

N'ingingo ya 14 y'amasezerano yerekeye uburenganzira bw'abantu mu vyabo no mu vyerekeye politike mu gace kayo ka mbere ivuga ko abantu bose bangana imbere ya sentare no mu nzego zose z'ubutungane.

Umuntu wese arafise uburenganzira bwo kwumvirizwa mu butungane kandi mu ntahe y'icese na sentare ibifitiye ububasha, yishira ikizana kandi ataho yegamiye.

b) Mu mategeko y'igihugu

Ingingo ya 39 y'Ibwirizwa Shingiro ry'Uburundi ivuga ko ata muntu ashobora kwakwa ubwigenge bwiwe, kiretse birekuwe n'amategeko.

Iyi ngingo ibandanya ivuga ko ata muntu n'umwe ashobora gukurikiranwa, gufatwa, gupfungwa canke gucirwa urubanza, kiretse mu bihe bitegekanijwe n'ibwirizwa ryatangajwe imbere y'uko ivyaha yagirizwa bikorwa.

Uburenganzira bw'ukwiregura burubahirizwa imbere ya sentare zose. Ntawushobora kubuzwa kugahato kuburana imbere ya sentare ibwirizwa ribitegekanya.

3. Gukomeza amahoro n'umutekano.

Amasezerano y'ubumwe bw'abarundi aravuga ko amahoro n'umutekano ari vyo mushinge w'igihugu n'iterambere. Kubungabunga amahoro n'umutekano n'uruhara rw'umurundi wese. Umuntu wese ategerezwa kwiyubara mu vyo ashikiriza kugira ngo ntavuge canke ngo yandike amajambo abiba urwanko n'amacakubiri mu gihugu.

a) Mu mategeko mpuzamakungu

Amasezerano y'ubumwe bw'abarundi yishimikije ingingo ya 20 y'amasezerano yerekeye uburenganzira bw'abantu mu vyabo no mu vyerekeye politike na yo ikaba ivuga ko ikintu cose coza camamaza ingwano kibujijwe n'amategeko.

Ico cose coza kivyura inzankano mu gihugu, zifatiye ku moko y'abantu canke ku kudasangira ukwemera, gituma abantu basubiranamwo bakicana, kirabujijwe n'amategeko.

b) Mu mategeko y'igihugu

Ingingo ya 14 y'Ibwirizwa Shingiro ivuga ko abarundi bose bafise uburenganzira bwo kuba mu Burundi mu mahoro no mu mutekano. Bategerezwa kubana ata nkomanzi, bakubahiriza iteka rya zina muntu, bakihanganiranira mu budasa bwayo.

4. Kwubahiriza agateka ka zina muntu

Amasezerano y'ubumwe bw'abarundi arategekanya, mu kigabane ca 4, ko abantu bose bavuka bangana imbere y'amategeko kandi ko bose bategerezwa gukingirwa mu buryo bumwe.

Abenegihugu bose bafise uburenganzira bumwe ku vyerekeye ukwishira n'ukwizana, ugushinga amashirahamwe, ukuronswa inyigisho, ukuja mw'idini bashaka, ugushikiriza ivyiyumviro n'ukuronka amakuru aba ayo mu Burundi canke mpuzamakungu.

a) Mu mategeko mpuzamakungu

Ingingo ya 1 y'itangazo mpuzamakungu ry'agateka ka zina muntu ivuga ko abantu bose bavuka bishira bakizana kandi bangana mu gateka no mu ngingo zibubahiriza. Bafise ubwenge n'umutima kandi bategerezwa kwubahana nk'abavandimwe.

b) Mu mategeko y'igihugu

Ingingo ya 22 y'Ibwirizwa Shingiro, mu gace ka 1, ivuga ko abarundi bose bangana imbere y'amategeko kandi akabakingira kumwe.

Ingingo ya 31 na yo ivuga ko umuntu wese afise uburenganzira bw'ugushikiriza ivyiyumviro vyiwe. Reta irubahiriza ubwigenge bw'umuntu bwo kuja mw'idini ashaka, bw'ukwiyumvira n'ugukurikiza umutimanama wi-we.

Mu gusozera, twagira twibukanye ko umuntu wese aba mu Burundi ategerezwa kwama abungabunga kandi akomeza ubumwe mu gihugu yisunze amasezerano y'ubumwe bw'abarundi n'ayandi mategeko atandukanye yubahiriza umuntu mu gukingira agateka kiwe kuko ubumwe ntibushobora gusasagara mu gihugu mu gihe ubuzima bwa kiremwa muntu budakingiwe, mu gihe ubutungane budakora neza akazi bujejwe, ata mahoro n'umutekano birangwa mu gihugu kandi agateka ka zina muntu katubahirijwe.

***Ikigo ca leta kijejwe guteza imbere agateka ka zina muntu no gukinga ihonyabwoko «CPDHPG »***

# Imbonekarimwe muri Ekleziya ya Kenya

Ku wa 14 Nzero 2023 mu gihugu ca Kenya, nyenicubahiro musenyeri Anthony Muheria, umwungere wa Diyoseze nkuru ya Nyeri yaratiye mw'ibanga ry'ubusaseredoti diyakoni Michael Mithamo King'ori agendana ubumuga bwo kutabona. Akaba yabaye uwa mbere muri Kenya ndetse no mu bihugu vyo mu karere k'ubuseruko bwa Afrika yatirwa muri iryo banga agendana ubwo bumuga.

Inkuka y'imisa yo kwatira uwo mudiyakoni n'abandi batanu batiriwe muri iryo banga, yabereye ku kibuga c'ishule ritoyi ryitiriwe umweranda Yohani Baptista w'i Kiamuiru riri ku birometero 150 mu buraruko bw'umurwa mukuru Nayirobi. Ivyo birori bikaba vyari vy'itabwe na Nyenicugahiro Musenyeri Peter Kairu yahoze ari umwungere wa Nyeri ubu akaba ari mu karuhuko kabageze mu zabukuru. Hari kandi abasaseredoti, abihebeyimana n'abakristu balayike.

Mu kiganiro umwungere wa diyoseze ya Nyeri yahaye abanditsi n'abamenyeshamakuru Musenyeri Anthony Muheria yagarutse ku kimenyetso cuko kwatirwa. Ati: « Uwo musaseredoti mushasha patiri Michael azodufasha gutegera ko abantu bagendana ubumuga harico bashobora gukora. Iryo yatirwa ni isoko ry'akanyamuneza kuko naho hari ivyo adashoboye, rirerekanye ko ukugendana ubumuga atari intambamyi zo kwitaba umuhamagaro w'Imana. »

Yabandanije amenyesha ko abantu benshi bagendana ubumuga badafise ubushobozi nk'ubwabandi bafise, ko bafise nabo ubushobozi bundi bwo guteza imbere izindi ngabirano kandi bagateza imbere igihugu mu gihe bakurikiranwe, bakigishwa bakongera bagategurwa.Yaboneyeho gukebura abantu afatiye ku nyigisho duhabwa na Yezu Kristu we aho yaca mu nzira za Yeruzalemu, Galile ni Nazareti yama yerekana umwitwarariko yari afitiye abantu bari mu ngorane.

Ati : « Abana benshi bagendana ubumuga mu kibano no mu mashule ntibitwararikwa, ngo baronke abarezi babakurikirana, ntiboroherezwe mu nyubako zimwe zimwe. Imiryango ifise abo bana yaribagiwe, kandi bakeneye gushigikirwa ku mpande zose.

Agatumirira abakristu gutorera inyishu uko gukumirwa, mu kugerageza kuramutsa imiryango n'amashule ariko abo bana. Baronswe ubufasha atari ukubaha gusa amafaranga n'ibindi vyobatunga, ariko bafashe kugira inyubako zaho baba canke biga zibe iziboroherereza. Abandanya asaba ashimitse kubagirira umwitwarariko kuko Yezu agaragara mu maso habo». Ati: «Yezu aduhamagarira guha ukuboko benewacu na basaza bacu bagendana ubumuga».



*Patiri Michel ni uwo ari hagati bagiye baseguye*

**Patiri Michael Mitamo yakiriye gute ivyamushikiye?**

Ati :« Inema y'Imana niyo yangize uko ndi, ituma nakira ubumuga bwanje.» Mu kiganiro yahaye abamenyeshamakuru ba «ACI Afrique» yabamenyesheje ko yahumye haciye amezi atatu abaye umudiyakoni mu mwaka wa 2019, bivuye ku ndwara yarwaye; ivyo bikaba vyaramugoye kwakira nkuko avyivugira ati : «Vyari vyananiye kwakira abaganga bambariye ko nagize uruhumyi. Ati ndiyumvira ko abaganga bampevye, ntibamvure neza.

Ariko baca bandungikira uwuza kundemesha, ko naho mpumye bidasigura ko ubuzima buheze. Naciye nzirikana cane bimwe bivuye ku mutima nca ndonka inguvu zo kwakira ibimbayeko. Abagenzi benshi barantaye, ariko bake baranyeretse ubugenzi nyakuri, baramperekeza muri iyo ndwara yanje.

Uwaje imbere muri abo bambaye hafi yabaye umwungere wa Diyoseze nkuru ya Nyeri. Yagumye ari kumwe nanje, andemesha, ampamagarira kubona muri ubwo bugwayi bwanje ishaka ry'Imana. Naho yari afise ubutumwa bwinshi, nta munsi wahera ataje kundaba. Ivyo vyatumye ngarukana umwizero.

Mu vyangoye vyose, sinigeze nibaza ko ubuzima Imana yari yampamagariye nobuheba; ico nakora gusa kwari ugusenga. Nari mfise umwanya munini wo kuzirikana, aho naronkera inyishu zindemesha nahabwa n'Imana. Bituma numva ko mfise ibikwiye kugira mbe umusaseredoti. »

Tubamenyeshe ko kuva yatiwe amaze guhereza inkuka za misa harimwo niyo yaherereje iwabo yo gukenguruka.

*MSV M Goreth Ndikumana*